Itangazo ry’ikigo DSHS kijejwe kwitaho amagara y’abantu ku kijanye n’intunganyo yaco ubwaco ku kijanye no kubika amakuru y'abarwayi bakirwa n’ikigo c’amagara y’abantu

DSHS Notice of Privacy Practices for Client Medical Information

Bigiye mu ngiro kw'igenekerezo rya 1 Munyonyo 2025

Ikigo DSHS gitegerezwa kukumenyesha uburenganzira bwawe ku kijanye no kukugumiriza ibanga buri mw’Itegeko ry’Ubwishingizi bw’Ubuzima (HIPAA). (45 CFR §164.520). DSHS ni “ishirahamwe ry’ izegwa ngirakamaro.” Si imigambi yose ya DSHS igenderwa musi y’ amategeko ya HIPAA, gusa imigambi yashizwe k’ urutonde nkakarorero Ibigize Ibungabunga ry’ Amagara kur’ ubuga rwa interineti ya DSHS nivyo bigenderwa musi y’ amategeko ya HIPAA. Rino tangazo rikurikizwa gusa kubakiriya bafashwa n’ iyomigambi ngenderwako. Rino tangazo ntirikuzanira ingarukambi kumahirwe y’ infashanyo za DSHS.

Iri tangazo ridondora ingene amakuru yo kwa muganga yerekeye ubuzima bwawe ashobora gukoreshwa no gushirwa hanze hamwe n’ingene woshobora kuronka ayo makuru. Urasabga kurisuzuma witonze.

PHI risigura iki?

Amakuru y’ Amagara Atekanijwe (PHI) n’ amakuru y’ ivurwa ry’ umukiriya abikwa n’ ibisata vya DSHS agenderwa kumategeko ya HIPAA. PHI n’ amakuru y’ uburwayi agufitiye isano kuvyerekeye ubumerere canke indwara z’ amagara yawe, ibungabunga ry’ amagara uronka, canke amafaranga atangwa kw’ ibungabunga ry’ amagara yawe. DSHS itegerezwa gukorera umutekano wa PHI yawe biciye mumategeko.

DSHS ifise PHI ayahe anyerekeye?

Mukudufasha kugira tugukorere serivisi, ushobora gukenera kuduha amakuru y’ indwara canke y’ amagara harimwo aho uba, amakuru y’ umutungo canke amakuru y’ abitswe yerekeye indwara. Turashobora kandi kuronka amakuru yerekeye amagara yawe (PHI) mu bindi bibanza bikenewe kugira ngo tugufashe canke tuguhe amafaranga yo kwitaho ubuzima bwawe.

Ninde ashobora kubona PHI yanje?

Dukoresha gusa ibintu bike cane vyo mu makuru yawe ariyo PHI tuba dukeneye kugira ngo dukore ibikorwa vyacu. Turashobora gutanga amakuru yawe ya PHI mu yandi mashirahamwe canke abandi bantu iyo vyemewe n’amategeko canke iyo ubitwemereye. Nkakarorero, PHI yawe ashobora gutangwa kuri no gukoreshwa n’ Ubuyobozi bw’ Ibungabunga ry’ Amagara canke abandi batanga ibungabunga ry’ amagara muguhuza no kuriha ibungabungwa ry’ amagara yawe. Dushobora guhanahana PHI yakahise, agezweho, canke y’ akazoza.

DSHS ihanahana PHI nyabaki?

Duhanahana PHI yawe gusa kubandi bayakeneye kugira bakore ibikorwa vyabo kandi nkuko bihabga uburenganzira n’ amategeko. Ushobora gusaba urutonde rw’abo bose ikigo DSHS cahaye amakuru yawe ya PHI kubw’intumbero kanaka mu myaka itandatu iheze.

Nigihe nyabaki DSHS ihanahana PHI?

Duhanahana PHI mugihe co “gukenera kumenya ishingiro” muguhuza serivisi hamwe no kuvurwa, kuriha, hamwe n’ ibikorwa vyerekeye ibungabungwa ry’ amagara. Nk'akarorero, dushobora gutanga amakuru:

- Ku baganga kugira bashobore kukuvura neza hamwe no gukurikiranira hafi ikibazo.
- Ku rwego rushinzwe kuriha amafaranga akenewe mu buvuzi bwawe kugira ngo haboneke ingene amafaranga ashobora kurihwa.
- Kugira bikunde ko hafatwa ingingo yerekana nimba wemerewe gufatwa mu mugongo n’imigambi ya DSHS.
- Kugira ngo dushigikire irangurwa ry’ibikorwa vyacu, nk’ugufata ingingo yerekana koko ukwitwararikwa wagirirwe n’abaganga bukuvura guhuye n’ingingo mfatirwako zitegekanijwe n’amategeko. Ivyo bikorwa bishobora kubamwo ukwegeranya amakuru, ibikorwa vyo gukinga impanuka, hame n’igenzura.

Ni ryari uruhusha rwanje rudakenewe kugira ikigo DSHS gitange amakuru yerekeye amagara yanje PHI?

Uretse gutangaza amakuru kugira umuntu avurwe neza, amafaranga arihwe, n’ibikorwa vyo kwivuza bigende neza, ikigo DSHS gishobora gutanga amakuru yerekeye amagara PHI ata ruhusha rwawe rurinze gusabwa kubera izindi mvo zitandukanye. Bivanye n’ amategeko, dushobora kuba, dusabge canke duhawe uburenganzira bgo guhanahana PHI yawe. Uburorero bumwe bumwe harimwo ugukenera gu:

- Gutanga amakuru yerekeye amagara yawe ku mugenzi canke uwo mu muryango afise uruhara mu muri ivyo vyose bijanye no kuvurwa kwawe. Urafise uburenganzira bwo kwanka ko aya makuru atangwa. Mu gihe uvyanse, ntituheza ngo tubimenyeshe uwo mu muryango canke uwo mugenzi.
- Kuyatnga ku nzego zijejwe amagara y’abantu mu ntumbero y’ibikorwa bijanye n’amagara y’abantu nk’ugukingira canke guhangana indwara z’ibiza canke mu gihe c’inkomere canke gutanga raporo y’abavutse n’abapfuye.
- Raporo itangwa ku biro vy’ugukingira abana, ku biro vy’ugukingira ka zina muntu, mu biro vy’igiprisi, canke ku bindi bigo, ijanye n’ibintu vy’uguhohotera abana canke abakuze canke kutitabwaho canke amabi ajanye no gukubagurwa abera mu ngo.
- Gutanga amakuru hakurikijwe itegeko rya sentare, gutabaza, gusaba ko hakorwa amatohoza, canke ubundi buryo bujanye n’amategeko, canke ku bijanye n’ubutungane hamwe n’ubutegetsi.
- Gutanga amakuru y’amagara yawe PHI ku bigo bijejwe kugenzura hanyuma bigatanga uruhusha ku bahinga mu vy’amagara y’abantu no gutanga uruhusha hamwe no gusuzuma ibigo vy’ubuvuzi, nk’amazu y’abageze mu zabukuru hamwe n’ibitaro.
- Gutanga amakuru y’amagara yawe PHI ku bigo bikorera mu gihugu cose hamwe n’ivya Leta Zunze Ubumwe za Amerika kugira ngo bikwitwararike, ndetse no mu gihe bikenewe kugira ngo hamenyekane nimba ushobora gukorerwa servisi canke imfashanyo, canke nk’uko amategeko avyemera.
- Tanga PHI ku barezi c’ anke abavyeyi babana babakiri bato.
- Gutanga amakuru y’amagara yawe PHI kugira ngo ukingirwe canke hagabanywe ingorane zikomeye kandi zihita zibangamira amagara y’umuntu canke umutekano w’umuntu canke w’igihugu.
- Gutanga amwe mu makuru y’amagara yawe PHI ku bajejwe guhagararira no gukurikiza amategeko.
- Gutanga amakuru y’amagara yawe PHI ku mvo z’ubushakashatsi, ku mugambi w’ubushakashatsi uba wemejwe, mu gihe ubuzima bwawe bwite buba bukingiwe.
- Gutanga amakuru y’amagara yawe ku bakuru b’igisirikare, mu bihe bimwe bimwe, mu gihe usanzwe uri mu rwego rwa gisirikare canke uri umukukuruke yahoze muri rwo.
- Guha amakuru y’amagara yawe PHI amashirahamwe atanga Imfashanyo y’Abakozi.
- Koresha canke gutanga PHI mugihe c’ imigambi y’ ingorane zihutirwa canke kumvo z’ ubutabazi bg’ ikiza.
- Inyuma y’urupfu rwawe, dutanga amakuru y’amagara yawe PHI ku wuguserukira, umuyobozi w’igiporisi, uwujejwe gutunganya amaziko, canke ishirahamwe rijejwe ivy’ugutera ingingo z’umubiri.
- Igihe vyemewe canke bisabwa n'itegeko

Amadosiye y'ubuvuzi bw'indwara ziterwa n'ibiyayuramutwe

Ntidutanga amakuru yerekeye ubuvuzi bw’indwara zakomotse k’ukwihereza ibiyayuramutwe (SUD) kiretse turonse uruhusha rwawe, canke vyemewe n’itegeko 42 C.F.R. Igice ca 2 (Igice ca 2.) amategeko. Iyo twaronse amakuru yawe y’Igice ca 2 avuye ku wundi muntu, nk’uwugukurikirana ku bijanye n’indwara zakomotse ku biyayuramutwe SUD, turashobora gushira hanze ayo makuru mu gihe vyemewe hakurikijwe itegeko HIPAA. Ariko n’aho biri uko, ntituzoshira hanze amakuru ya SUD ku mvo z’imanza z’amatati, z’ivyaha, za politike, n’iz’amategeko ziriko zigukurikirana, kiretse wemeye ubicishije mu nyandiko, canke mu gukurikiza itegeko rya sentare.

None iyo nshaka ko haba uwundi muntu nipfuza ko ahabwa amakuru y’amagara yanje PHI biraheza bikagenda gute?

Uburyo bwose bwo gutanga amakuru butari muri iri tangazo busaba uruhusha rwawe kugira bikunde. Ntituzokoresha amakuru yawe mu kwamamaza canke mu kugurisha amakuru yawe ata ruhusha rwawe rwanditse twahawe. Uzosabwa gushira umukono ku rupapuro rutanga uburenganzira kugira ngo dushobore gutanga amakuru y’amagara yawe PHI mu gihe:

- Dukeneye uburenganzira bgawe mugutanga serivisi canke ibungabungwa;
- Dukeneye uruhusha rwawe kugira ngo dutange inyandiko zerekeye ubuvuzi bwo mu mutwe wakorewe;
- Ushaka ko turungika amakuru y’amagara yawe PHI ku kindi kigo canke umuganga kubera imvo zidashobora kwemerwa n’amategeko iyo ata ruhusha rwawe watanze; canke
- Ushaka ko PHI irungikwa k’ uwundi muntu, nkakarorero umuburanire wawe, umuntu wo mumuryango canke uwundi aguserukira.

Uburenganzira bgo guhanahana PHI yawe bumeze neza gushika kw’ igenekerezo ry’ impera wanditse kw’ ifishi. Dushobora guhanahana PHI washize kurutonde gusa. Urashobora guhagarika canke guhindura ubu burenganzira mu kwandikira DSHS.

Mbe noshobora kubona PHI yanje?

Ushobora kubona amakuru y’amagara yawe PHI, ku mpapuro canke mu buryo bw’ubuhinga bwa none. Muguhe ubisavye, uzohabga ishusho rya PHI yawe. Ikigo DSHS gishobora kugusaba amafaranga atari menshi kugira ngo uronke ikopi.

Noshobora kuronswa urutonde rw’ibishobora gushirwa hanze ku rupapuro rwerekana amakuru y’amagara yanje PHI?

Ufise uburenganzira bwo kubitororokanya, ari rwo rutonde rw’ivyo PHI yawe yashize hanze mu myaka itandatu iheze, kiretse ivyo watanze kugira ngo uvurwe, amafaranga warishe, ibikorwa vyo kubagwa wakorewe, canke ivyisunze uruhusha rwawe. Iyo usavye iharurwa ry’amafaranga incuro irenze imwe mu kiringo cose c’amezi 12, ikigo DSHS gishobora kugusaba ko uriha amahera makeyi.

Mbe noshobora guhindura PHI yanje?

Mu gihe woba wibaza ko mu makuru y’amagara yawe PHI hoba harimwo amakosa, urashobora kudusaba ubicishije mu kwandika kugira duhindure canke twongereko ayandi makuru PHI mashasha.

Tuzokwihweza ivyo mwasavye ariko ntidutegekwa kuvyemera. Ushobora kandi kudusaba kurungika ivyahinduwe ivyarivyo vyose kubandi bafise ishusho za PHI yawe.

Mbe ndashobora gushira imbibe muguhanahana PHI yanje kandi n’ ukuntu ndayahabga?

Ushobora kudusaba ubicishije mu kwandika ko twogabanya ikoreshwa hamwe n’itangwa ry’amakuru yawe, ariko kuvyemera si itegeko. Ushobora kandi gusaba ko tukurungikira amakuru PHI mu buryo butandukanye canke mu kindi kibanza gitandukanye.

Bisigura iki Ivunwa ry’ amasezerano?	Ivunwa ry’ amasezerano ni gukoresha canke gusohora PHI yawe bidahawe amategeko musi ya HIPAA, harimwo ugutakaza bivanye n’ ubusuma, gukora amakosa canke kw’ injira muri sistemu ya ordinateri ataruhusha bifitiwe. Tuzokumenyesha biciye kubutumiranire mugihe hari ivunwa ry’ amasezerano kuri PHI yawe musi ya HIPAA.
Noshobora kuronka ikopi y’iri tegeko ryerekeye amakuru y’ibanga?	Ego. Iri tegeko ryerekeye amakuru y’ibanga y’ubuzima bwite ni ryawe ngo uribike ahadata. Mugihe uronse rino tangazo biciye muri ordinateri, ushobora gusaba ishusho ry’ urupapuro kandi tuzoguha imwe.
Niki mugihe Ibikorwa vy’ Igengako vya PHI bihindutse?	Dusabga gukurikiza iyi nyandiko. Dufise uburenganzira bgo guhindura iyi nyandiko. Iyo amategeko canke uburyo dukoresha mu bijanye n’ubuzima bwite bihindutse, tuzohindura iri tegeko hanyuma tukurungikire ikopi canke tukurungikire amakuru yerekeye iryo tegeko rishasha ndetse n’aho worisanga.
Ninde nshobora kuganira nawe mugihe nfise ibibazo vyerekeye iyi nyandiko canke uburenganzira bga PHI yanje?	Niba ufise ikibazo ico ari co cose ku bijanye n’iri tegeko, ushobora guhamagara umukozi ajejwe kubika amakuru y’ibanga mu kigo DSHS kuri DSHSPrivacyOfficer@dshs.wa.gov canke (360) 902-8278.
Nigute nshobora gutanga raporo y’ ubugizi bga nabi m’ uburenganzira bg’ ibanga rya PHI yanje?	Mugihe wemera ko uburenganzira bg’ ibanga rya PHI yawe bgakorewe ubugizi bga nabi ushobora gusohora ibirego kuri: DSHS Privacy Officer, Department of Social and Health Services, PO Box 45135, Olympia WA 98504-5135 canke kuri email DSHSPrivacyOfficer@dshs.wa.gov. Mugihe utanze ikirego, DSHS ntizoshobora guhindura canke guhagarika infashanyo zawe kandi ntitegerezwa kukwihora. **CANKE** Ushobora guserura akakubakiye kuri internet kuri: https://ocrportal.hhs.gov/ocr/cp/complaint_frontpage.jsf canke wandike ubutumwa kuri: Office for Civil Rights, US Department of Health and Human Services, 200 Independence Avenue, S.W., Room 509F HHH Bldg., Washington, D.C. 20201, kuri telefone (800) 368-1019. Ibirego ivyarivyo vyose bitumwa kuri DHHS bitegerezwa gukorwa mukiringo c’ imisi 180 kuva igihe c’ihamagarirwa ry’ ubugizi bg’anabi mumategeko.